**Kontakt:** Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: meinolf.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

*Ruhuhuma 2024* *kirundi*

# Burya urakundwa!

**Yezu aramwitegereza, yumva aramukunze!**
(Mariko 10,21)

Bakunzi b'Ijambo!

Mbega wovyifatamwo gute, igihe umenga mu buzima vyose biradabutse? Iyo hasa n'ahadutse ikintu utari witeze, kikaduka giturumbuka nk'umuzigo ukuremera ku bikanu no mu mutima. Ivyo wari wishimikije vyakuremesha, bigasa n'ibisenyutse. Uko imyaka iba ingana kwose, hama hari ikibazo - kenshi gisongoye - kiti: None ni kubera iki ivyo vyose? Mbereyeho iki? None ikigifise agaciro mu buzima ni igiki? Bigahava bitomoka kuri jewe, nkibaza nti: None kuri jewe muri kano kanya, aha ndi, ikintu gifise insiguro ni igiki? Uri umwe, uca usa n'uwuriko urayama. Muri ico gihe, ikitugarura ni umuntu akubaye hafi, canke ijambo wigeze kubwirwa ubwawe, rigutuma wiyumvamwo ko ukundwa. Buhoro buhoro ugaca wumva amahoro aragarutse mu mutima, ukabona kuronka umuco w'igihe gikurikira.

Yezu yari azi bene ivyo bihe vy'amaganya ashikira umuntu. Igihe haza iwe umusore afise ikimubakiye ku mutima, yazu yaramwitegereje yumva aramukunze. Aho haca hiyugurura ikibanze aho twiruhutsa neza ,tukanashobora gutahura. Burya iyo umuntu yumva akundwa, yama atora ico nawe akorera abandi ku rukundo. Aho niho umutima uruhijwe uronkera agahengwe.

Twari twashize vidéo mu buhinga bita YoTube. Ku murongo wa go4peace, nabwo bwarimwo kuzirikana ngo. „sabikanya ibikuremereye!". Vyabaye uko tutabiziga, kuklo hari abantu benshi bishuye kuri WhatsApp na Voicemail. Harimwo umukenyezi yadusabikanirje ububabare bwiwe, ko umwana wiwe w'ibatisimu – yagira yibaruke – yari yagize ingorane akabwirizwa kuja mu bitaro. Uwundi atuyagira ivyerekeye se wiwe yari arwaye cancer muri Ukraine. Yababazwa nuko adashobora kuja kumuramutsa. Umugabo – niho yari akiva mu bitaro – yaramenyesheje ko yumva atamerewe neza. Uyo mugoroba wose haguma haza amakuru. Naragiye mw'isengero njanye ayo makuru banyizigije, ndayashira mu Mushaha w'Imana. Mu muri telefone yanje hazamwo ubundi butumwa : yari umusore wo muri Afganistan. Yanditse ati: „Muri iyi misi iheze, igihe igihugu canje caterwa na nyamugigima, naragize amakuba mu mutima wanje. Vyarashitse ko izo ngorana ndazisabikaniriza abandi. Ubu mbwirizwa no kugusabikaniriza inkuru y'umwana wanje amaze imyaka itandatu". Niho nasanga inkuru yaje muri audio y'uyo mwana mutoyi. Yavuga iti:" Warakoze Mana nziza waduhaye Meinolf!" Ndiko ndasenga mw'isengero, narumvise amaso atembera mu maso. – **Burya urakundwa!**

Kubwa go4peaceTeam Meinolf Wacker